Washington State Department of Social & Health Services
Transforming lives

AGING AND LONG-TERM SUPPORT ADMINISTRATION (ALTSA)
DEVELOPMENTAL DISABILITIES ADMINISTRATION (DDA)

Amasezerano y' Imyitwarariko yanje Nka Databuja w' Abantu Bampa Imfashanyo

Acknowledgement of My Responsibilities As The Employer of My Individual Providers

Ndahisemwo guhabwa imfashanyo zivuye k' Umufasha (IP) zitagingwa amafaranga n' Igisata c' Imfashanyo z' Amagara n' Imibano (DSHS). Ndatahura imyitwarariko yanje nka databuja w' umu IP wanje harimwo:

Igenzurwa ry' Amakuru y' Akahise ku Bafasha Banje:

- Ndatahura ko umu IP wanje ategerezwa guhita mw' igenzurwa ryose ry' amakuru y' akahise muri reta y' intara hamwe n' igenzurwa ry' igereranya ry' uturongo tw' igikumu riranga rikorerwa hanze y' intara. Ndashobora guha akazi umu IP wanje gutangura imfashanyo vyihuta canke nkarindira inyishu y' igenzurwa ry' uturongo tw' igikuma rigena. Mugihe ntoye umu IP wanje imbere yuko inyishu z' uturongo tw' igikumu zigaruka hama umu fasha wanje bikaboneka ko adakwije ibisabwa, DSHS ntizosuburi kuriha uyo mu IP. Nzohabwa ihitamwo ry' ugutora uwundi mu IP akwijije ibisabwa:

  ☐ **Ndipfuza guha akazi umu IP wanje gushika imisi 120 mugihe ndindiriye inyishu z' igenzurwa risabwa ry' igereranywa ry' uturongo tw' igikumu rigena. Ndatahura ko umu IP wanje ategerezwa ubwambere guca mw' igenzurwa ry' amakuru y' akahise rikorerwa mu ntara.** Igenzurwa ry' amakuru y' akahise rikorerwa mu ntara ryihweza; (1) amakuru y' ivyemezo ubukozi bwa nabi mw' Igenzura ry' Amabi muri Reta ya Washington, (2) amakuru abitswe mu cegeranyo c' amakuru y' ishimikiro muri Sentare ya Reta ya Washington, hamwe (3) nivyafashwe bivuye mumashirahamwe aserukira rata ya Washington.

  CANKE

  ☐ **Ndipfuza kurindira gushika igikorwa c' igenzurwa ry' igereranywa ry' uturongo tw' igikumu rigena rikorerwa hanze y' intara rirangizwa imbere yuko ntora umu IP wanje.** Igenzurwa rikorerwa hanze y' intara ririmwo ukugenzura amakuru y' ubugizi bwanabi muzindi ntara.

Izina ry' umu IP: _____

Kuba umu Databuja:

- Ntegerezwa gutohoza hamwe no gutora umu IP akwijije ibisabwa;
- Ntegerezwa kuganira n' umuyobozi ajejwe dosiye yanje mu kwemeza ko uyo mu IP afise icemeza c' amasezerano y' akazi;
- Ndatahura ko umu IP wanje adahabwa uburenganzira bwo gukora mugihe ahawe itangazo rivuye muri DSHS rivuga ko ategerezwa guhagarika akazi kiwe;
- Ndatahura ko umu IP wanje adahabwa uburenganzira bwo gukora mugihe adakwije ibisabwa nkumu IP;
- Ndatahura ko nzohabwa itangazo mugihe umu IP wanje adahabwa uburenganzira bwo gukora. Mugihe ndamuhaye uburenganzira bwo kubandanya akora inyuma yo kuronswa iryo tangazo, nshobora kuba uwitwararika kubwanje mukuriha amafaranga yuwo mu IP;
- Ntegerezwa kuba nfise ivyemeza neza ko umu IP wanje ashobora gukora akazi muri Reta Zunzubumwe bw' Amerika. Ntegerezwa kwuzuza no kubika ifishe ya I-9. Nshobora kwikoranako ni Igisata c' Umutekano w' Igihugu USCIS I-9 Urubuga Ngurukanabumenyi canke nkahamagara kuri 1-888-464-4218 mugihe nkeneye ayandi makuru;
- Ndatahura ko nshobora kwikoranako n' Ibiro vy' Uburyo bw' Iyongera Mumfashanyo zo Muhira (HCRR) mugufasha kurondera umu IP. Iyi mfashanyo iboneka mubice vyinshi vyo mu ntara. Nshobora kwikoranako na HCRR muguhamagara umurongo wa telefone wa 1-800-970-5456. Nshobora kwegera HCRR k' urubuga ngurukanabumenyi kuri: http://www.hcrr.wa.gov/

Gukorera Ikirangabihe vy' Akazi umu IP Wanje:

- Ndatahura ko umu IP wanje **adashobora** gukora kurenza urugero rw' akazi mundwi ataruhusha rubitangiwe na DSHS;
- Ndatahura ko umu IP wanje afise urugero rumwe gusa rw' amasaha y' akazi mundwi. Umu IP wanje ntashobora kurenza uru rugero naho yoba akorera abandi bantu atari jewe gusa;
- Ntegerezwa kwemeza neza ko umu IP wanje atariko arakora amasaha arenga urugero yemerewe rwo mundwi kandi atarenza amasaha y' imfashanyo zanje za buri kwezi;
- Ntegerezwa kurondera umubungabunga nfatirakibanza kugira nkwize ibikenewe vyanje, mugihe ndamukeneye;
- Nshobora guha akazi ababungabunga biyongera kugira nkwize ibikenewe vyanje hamwe no gukurikiza amabwirizwa yo gukora akazi k' amasaha y' umurengero;
- Ntegerezwa kwemeza ko umu IP wanje atahura umugambi w' ibungabungwa ryanje, ko ashobora gukurikiza umugambi wanje w' ibungabungwa, kandi ashobora gukora akurikije ikirangabihe nkeneye;

- Ndagenzura akazi kumu IP wanje. Naho umu IP wanje aba afise amabwirizwa y' akazi na DSHS, DSHS ntigenzura umu IP wanje.

Gutanga Udufuko tw' Isuku tw' Amaboko:

- Ntegerezwa gutanga udufuko tw' isuku tw' amaboko kumu IP wanje mukudukoresha mumaboko mubikorwa vy' ibungabunga mugihe adukeneye:
- Ndashobora kuronka igitigiri c' udufuko tw' isuku tw' amaboko 200 ku kwezi ndadukuye munyungu zasuranse y' amagara yanje ya Apple Health (Medicaid). Ndashobora kuronka udufuko turenga mugihe ari nkenerwa mw' ibungabungwa ry' amagara.
- Mugihe nfise Apple Health (Medicaid) ihagarariwe n'ibungabungwa, nshobora kwikoranako umugambi wanje w' amagara canke umuganga wanje mugusaba udufuko tw' isuku tw' amaboko, canke kuja kurubuga ngurukanabumenyi kuri https://www.hca.wa.gov/assets/billers-and-providers/13-010.pdf
- Mugihe nfise asuranse ya Apple Health idahagarariwe n' ibungabungwa nshobora:
  - Guhamagara uwutanga ibikoresho vy' amagara m' urutonde ruri k' urubuga ngurukanabumenyi bw' Ubuyobozi bw' Ibungabunga ry' Amagara kuri: https://www.hca.wa.gov/assets/billers-and-providers/ffs_providers_non_sterile_gloves.pdf canke
  - Nkahamagara umuganga wanje; canke
  - Nkahamagara Igisata c' Imfashanyo z' Amagara kuri 1-800-562-3022. Izi numero za telefone ziri k' uruhande rw' inyuma kw' Ikarata yanje y' Ubururu y' Imfashanyo z' Amagara. Kuvyerekeye ayandi makuru yerekeye ukuronka udufuko tw' isuku tw' amaboko urasabwa gutemberera urubuga ngurukanabumenyi bw' Ubuyobozi bw' Ibungabunga ry' Amagara kuri http://www.hca.wa.gov/medicaid/dme/Pages/default.aspx.

Amabanga y' Ivyerekeye Amafaranga:

- Ndatahura ko DSHS nticitwararika kuzibira canke gutanga ikori y' amafaranga y' injira kumu IP wanje kiretse mugihe umu IP wanje abibasavye;
- DSHS citwararika kuzibira hamwe n' ukuriha amafaranga y' amakori y' Umutekano Mumibano hamwe n' amakori ya asuranse ya Medicare (FICA);
- DSHS citwararika kuzibira hamwe n' ukuriha amafaranga y' amakori ya reta y' unzubumwe hamwe na reta yo mu ntara (FUTA/SUTA) kiretse mugihe umu IP ari umuvyeyi wanje canke umwana wanje ari hagati y' imyaka y' amavukiro 18 hamwe na 21;
- Ntegerezwa gutanga raporo y' umugabane mukuriha Ibungabungwa ryanje Bwite kumashirahamwe aserukira reta yo mu ntara na reta y' unzubumwe mugutoza amakori mugihe jewe:
  - Ndonse imfashanyo zanje biciye mu Mfashanyo zo Muhira no Mumiryango canke Ishirahamwe ryo mu Karere kanje kuvyerekeye kugera Muzabukuru (AAA), kandi
  - Ntora umu IP, kandi
  - Ndiha umugabane ku mfashanyo z' Ibungabungwa ryanje Bwite.
    - Ku makuru yerekeye amakori, ganira n' Igisata c' Imfashanyo z' Amafaranga y' Amakori kuri 1-800-829-1040 canke Igisata c' Umutekano muri Reta ya Washington Muvyerekeya Ugukora n' Itangwa ry' Akazi kuri 1-888-836-1900.

Gukora Ibiganiro na DSHS:

- Nzoganira n' Umuyobozi wa Dosiye yanje mugihe jewe:
  - Nfise ibindajishinga muvyerekeye umugambi w' ibungabungwa ryanje canke muvyerekeye kamere nziza y' ibungabunga ndiko ndahabwa numu IP wanje;
  - Ntariko ndaronka imfashanyo umu IP wanje ariko arasabira amafaranga;
  - Ntariko ndaronka imfashanyo zibifitiye uburenganzira m' umugambi w' ibungabungwa ryanje;
  - Nshaka guhindura canke kwongerako uwundi mufasha;
  - Nkeneye imfashanyo muguha akazi/kuyobora umu IP wanje; canke
  - Nshaka gushinga amasaha yiyongera kumu IP wanje atari urugero rw' akazi kiwe ko mundwi.

Kandi ndatahura ko nfise uburenganzira bwo gusaba isubirwamwo ry' ukwihweza mugihe DSHS gihakanye ihitamwo ryanje ry' umufasha.

UMUKONO W' UMUKIRIYA / UMUSERUKIZI WO MUMATEGEKO IGENEKEREZO	NUMERO IRANGA UMUKIRIYA

AMAZINA Y' UMUKIRIYA / UMUSERUKIZI WO MUMATEGEKO